Urya Munsi I Kaluvariyo

Jeffersonville, Indiana, USA
25 Nyakanga 1960

1 Urakoze Mwene Data Neville. [Mwenedata Neville aravuze ati: "Ndagushimiye incuroigihumbi, Mwenedata." -Umw.] Imana Iguhezagire Mwene Data Neville, kandi urakoze cane. Amakuru y'igitondo bagenzi? Ni ibakwe kwongera kubahano mw'Ihema mu gitondo c'uno munsi kuvuga Ijambo no gusengera abagwaye. Nanjendashimye cane kubera uno munsi. Natangaye ncinjira. Mwene Data yaje aravuga: "Sinshakakuba nka wa munyamibembe atabereye yakizwa ingwara." Yari Mwene Data Wright.Naramusengeye, Umwami na We Aramukiza koko. Niho yaza arira kumpa ukuboko nokuvuga yuko yashaka gushimira Umwami kubwo kumukiza. Yashatse kugaruka nogutanga ishimwe. Yose yaraheze. Wewe ni muzima koko ubu. Turashimye kubwo izontahe.

2 Kandi ôo, Charlie, wewe hamwe na Mwene DataJefferies, mushatse kuza, nimuze mwicare kuri izi ntebe hano, namwe murahawekaze cane kugira ntimutegerezwe guhaguruka. Urya Mwene Data wundi harya, mweneData Wood ingo hano, hariho ibibanza kanaka hano ku rubaho rwo kwicarako,gurtyo ntuza gutegerezwa guhaguruka. Ndibaza yuko hari ibibanza kanaka hano,ego cane, ego, murahawe ikaze koko muze kwicara hano. Turanezerewe… ndizera vyaravuzwe igihe kimwe: "Naranezereweigihe bambwira," (Imana Iguhezagire mwene Data. Urakoze. Urakoze. Urakoze.) "Naranezereweigihe bambwira, 'kandi tugende mu nzu y'Uhoraho."' Iryo ni ryo bakwe ry'Umukriston'umunezero wiwe - kuja mu nzu y'Uhoraho.

3 Ndavye hose no kubona abagenzi banje benshi cane hanomu gitondo c'uno musi, ndanezerewe cane kubera ico kintu. Mfise umunezerokubona mwene Data na mushiki wacu Dauch hano bavuye I Ohio. Ndababona Mwenedatana Mushikiwacu Armostrong hariya i nyuma bavuye I Ohio. Imana ibahezagire mwesekandi. Kandi… Yoo, wihweje hose uca ubona benshi cane, vyoba ibigoye kuvugaamazina yabo yose. Mushiki wacu Hoover turanezerewe kukubona hano muri kinogitondo uvuye hariya i Kentucky, na Charlie hamwe na Nellie, Mwene Data Jefferies,hamwe n'umuryango wiwe n'abandi bose hano bavuye hanze ya kino gisagara. Kubera ivyo, twiteze igihe ciza cane mu Mwami mugitondo c'uno munsi. Twiteze Imana guhura natwe mu buryo kanaka Ishoboreguhezagira imishaha yacu no kudusukurira mu vyo dukeneye. Nanje ndavye hose, hamwe notangura guhamagara abagenzibanje bari hano, nofata hafi igitondo cose ndiko ndadondagura abantubatandukanye. Bintuma niyumva neza kugaruka mw'ishengero kubona abantu bose noguhura…

4 Bizomera gute nitwashika mw'Ijuru, kandi duhurirehariya muri ico gihe gihambaye c'isangira ry'Ibihe Bidashira ritagira iherezoturi hamwe dukikuje intebe y'inganji y'Imana - kandi ya migisha twese twiteze.Hariya twebwe tuzoshirwa mw'ishusho yiWe, mu kigereranyo ciWe, na Mpwemu wiWeari kuri twebwe tuMusenga twongera tuMukorera Ibihe Bidashira vyose,ntituzoruha namba. Iyumvire gusa, nta kintu na kimwe ushobora kwiyumvira,ico woshobora gukora, kiretse kirya rimwe na rimwe kikuruhisha gukora. Charlie,nibaza jewe na wewe twarahize imihare gusumba ico arico cose twoshaka gukoramuri iyo nzira, ariko urazi wewe uraruha gukora ivyo. Ndakunda gutembera kumaguru, kwurira imisozi no gutambuka gusa, ariko ikindi gihe jewe ndaruhankashaka gukora ikindi kintu. Rero nda - ndakunda gu - gutambuka, kwurira mu misozinitambukira gusa. Ariko rimwe na rimwe ndaruha, ku buryo ata kindi uba wumvaushaka gukora. Nanje ndakunda kunyonga imodoka. Ikindi gihejewe ntangura kwumva uburuhe, kuruha koko nka ntangura gufatwa no guhagarikaumutima kwinshi. Ndinjira mu modoka yanje, ndayinyonge, nkagumya ivora nyongamw'ibarabara ndirimba nti: "Nezerejwe no kubona nshoboye kuvuga yuko nd'umwemuri bo," canke ikindi kintu. Ngumije cane iyo vora ndirimb nongera ntambishaukuguru kwanje kandi nshira ijwi hejuru. Nuko, inyuma y'umwanya muto ndaruha, hanyuma,nkagaruka i muhira ngatangura ikindi kintu. Ariko nitwatangura gusenga Imana muri ubwo Bwamibushasha, ntihazobaho umwanya wo guruha… Hazokwama Ibihe Vyose ari imigisha nokubandanya ibihe vyose. Yamara nta nkeka tuzoba twahinduwe ico gihe; ntituzobaturi ukwo turi ubu. Tuzoba abantu batandukanye, ivyaremwe bitandukanye n'ivyoturi ubu. Kubwo ivyo turanezerewe.

5 Nahoze nibaza. Sinzi ko nigeze kuvuga kino cankentarakivuga, Mwene Data Charlie. Igihe kimwe nari hariya i Kentuckyhamwe na we,na we yavuze ati: "Mwene Data Branham, mbega, wibaza ko muri bwa Bwamibw'Imyaka Igihumbi jewe na wewe tuzohiga imihare?" Nca mvuga nti: "Ivyo sindavyibaza Charlie." Aca avuga ati: "Neza, turakunda cane gukora ivyo, wiyumvirako tuzokora ivyo nitwinjira muri bwa Bwami bw'Imyaka Igihumbi?" Nca mvuga nti: "Sivyo, ntakizokwicwa muri ubwo Bwamibw'Imyaka Igihumbi."

Na we aravugaati: "Ego cane, turakunda cane kinokintu." Nca mvuga nti: "Charlie, ni gute iyo nokwumvisha koumunsi umwe wari ingurube yo mw'ishamba, hanyuma ukaduzwa ukaba ikiremwa co kurwego rwo hejuru, ukaba umuntu. Mbega, wokwipfuza na gato gusubira inyumaunezerererwe ibinezereza vy'ingurube yo mw'ishamba?"

Aca avuga ati: "Namba." Nca mvuga nti: "Urabona, woba hejuru cane y'ingurubeyo mw'ishamba kuko wewe uri umuntu, ntiwokwipfuje gusubira kuba ingurube yomw'ishamba." Nca mvuga nti: "Rero n'uce urwiza ivyo n'incuro ibihumbi cumi,ukwo ni kwo uzoba niwahindurwa uvuye hano ukinjira aho uzoba. Ntuzosubiragushaka kwongera kuba umwana w'umuntu." Ukwo ni ukuri. Kizoba ikintugitandukanye. Ukuvyiyumvirako vyonyene biranezereza. Mu kumenya ko umunsi umwetuzoduga hejuru cane.

6 Neza. Rero Umwami niyabigomba, ku w'Iyinga uza hakabahazoba ari nka….Rero nzotangura urugenda nge i Wyoming hamwe n'umugenzimukundwa, canke hariya Idaho hamwe n'umugenzi mukundwa, Mwene Data MinorArganbright na Mwene Data Clayton Sommore, Abadandaza b'Abakristo. Indwi ikurikira iyi iza - rero ni itariki 7 ntegerezwakuba I Dallas, Texas mu Gikorane c'Ijwi co Gukiza, kandi nzovuga ubutumwamw'ijoro ry'itariki 7. Hanyuma ngaruke kugira nje Idaho hamwe na Mwene DataArganbright hamwe n'Abadandaza b'Abakristo, kandi birashoboka nkaronka ijororimwe hariya i Minneapolis imbere yuko dutangura urugendo. Hanyuma ubwo nyenemu Kavunamusase k'Abadandaza b'Abakristo. Umwami Abigomvye, ku w'Iyinga uza mu gitondo, nashakakugaruka hano mw'Ihema kandi; kandi nimba ivyo vyemewe kandi ari ubugombebw'Imana, nashaka kuvuga ku cigwa: Agashururu mu Muyaga; Umwami Abigomvye. Cagaragayemu mutima wanje indwi yose.

7 None ejo bundi mu gatondo, mu gatondo ka karenk'isaha zine z'ijoro, naravyutse nca ngira iki ciyumviro: Urya Munsi I Kaluvariyo. Nashaka kuvuga ivyo mu gatondo k'uyu munsi: Urya Munsi I Kaluvariyo. Ubu rero kubw'iki gisomwa, reka twugurure Bibliyazacu, mu Vyanditswe, mu Butumwa Bwiza uko bwanditswe n'Umweranda Matayo, ku kigabaneca 27, natwe turahera ku murongo wa 27 dusoma igice c'iki canditswe kugiraturonke urufatiro rwacu. Niho tuca dutangura rimwe na rimwe, hanyuma mu nyumay'igikorane c'ukuvuga ubutumwa turaza gusengera abarwaye.

8 Kandi ôo, uhereye igihe mperuka hano, iyo nibutsebiciye mu kugereranya igikogwa canje gishasha, naronse ibishingantahe vyinshivyiyongereye bivuye muri ico gikorane gusumba ivyo naronse mu kindi gikoraneico ari cose mu gihe kirekire. Hari ikintu cuko utegerezwa kuganira n'uwo muntu nyenenaho vyoba ari ibintu bingana gute vy'indengakamere vyerekanywe. Murabonaariko, ugukira gutegerezwa kuvana n'ukwizera kw'umuntu ku giti ciwe. Rero, iyouwo muntu afise ukwizera… Kandi barabona, nka kumwe Agendagenda hejuru y'ikoraniromaze Akavuga Ati: "Ibi n'ibibitegerezwa gushika. Kandi, wewe, izina ryawe ni iri n'iri. Kandi uturuka ahantukanaka. None rero hariho ikintu kanaka wakoze. Kandi bizogenda gurtya." Bagacababona vyose bigenze ukwo nyene! Ukwo bimeze kwose uwo muntu yicaye ngahoategerezwa kurangamiza hejuru yongere avuge at: "Nta gukekeranya kuhari iyo niImana. Ndavyemeye nakize."

9 Ariko aho kuba ivyo, uyo umuntu agaca avuga ati: "Nimundambikekoibiganza, munsengere kugira mbone gukira." Yamara ukwo ni kwo twigishijwe ahamuri Amerika kugira twizere ukwo, kandi ata gukekeranya ivyo ni Ivyanditswe. Ariko turabona hariya muri Afrika n'ahandihatandukanye, iyo gusa ikintu nk'ico gishitse, abakoranye kwumviriza bosebacabahagurukira icarimwe bagaca bemera ugukirakwabo-kubera ataco barigishwa,murabibona. Ntibaranigishwa n'ibijanye no gukira. Hanyuma niho iyo babonyeivyo, bo baca babona yuko hari Imana nzima, kandi nimba ari muzima, We nintahinyuzwa kandi arakiza, kandi ico kirahagije kubera urufatiro ruba rwamazegushirwaho-urufatiro- yuko Yo ari Umukiza kandi ko ikiza abantu. Niho babonyeubwo bwiza bukoze biciye mw'ishengero Ryiwe, niho bo baca bavuga bati: "Ivyobirahagije. Ivyo nivyo gusa twari dukeneye." Ariko twebwe twarigishijwe kurambika ibiganza kubarwaye hamwe n'ibindi mwene ivyo. Ni co gituma bidakora igikorwa cane muriAmerika.

10 Ubu rero nimwibuke, kuw'iyinga uza mu gitondo, Umwamiabigomvye, (mwene Data Neville azobitangaza, ata nkeka) Agashuru Mu Muyaga. Rero nabahaye umwanya muto wo kuzingurura Ivyanditswevyanyu muri Matayo 27. Muze dutangure gusoma ku murongo wa 27 w'Ubutumwa Bwiza bwaMatayo Mweranda. Rero nimuze twumvirize neza turiko turasoma.

"Maze abasodab'ico cegera ca Kayisari bajana Yesu ku kirimba kw'iciro ry'Imanza, begeranyaumurwi wose w'ingabo kuri We. BaMwambura impuzu ziWe, baMwambika umutamanautukura.

Bajisha urugori rw'amahwa,baruMwambika mu mutwe, bashira irenga mu kuryo kwiWe; baraMupfukamira bati: "Ndagizebwakeye Mwami w'Abayuda!"

BaMuvuma amate, baMushikurarya renga, bariMukubita mu mutwe. Bamaze kuMushinyagurira, baMwambura wamutamana, baMwambika impuzu ziWe, baMujana kuMubamba.

Bakirenga irembo bahuran'umunyasirene yitwa Simoni, uwo baramufata kugira ngo aMutwaze umusaraba.

Kandi bamaze kudugabagenda…..bamaze kugenda ahantu hitwa Gologota, risobanurwa ngo Ahantuh'Agahanga,

BaMuha umuvinyu uvanzen'umuti w'umururazi ngo Awunywe; Awumvirije Yanka kuwunywa.

Bamaze kuMubamba bagaburaimpuzu ziWe bakoresheje ubupfindo, [kugira ngo rishitswe Ijambo ryavuzwe n'umuvugishwa: "bagabuyeimpuzu zaNje hagati yabo, kandi bagiriye ubupfindo ku myambaro yaNje".]

Baricara, baMucungira aho.

Hejuru y'umutwe wiWebahashira ikirego ciWe, canditswe ngo:" UWU NI YESU, UMWAMI W'ABAYUDA."

Maze baMubambanan'abambuzi babiri, umwe i buryo uwundi i bubamfu.

Abahita baraMutukabazunguza imitwe bati: “Wewe Usambura urusengero Ukarwubaka mu minsi itatu, niWikize, ni Waba Uri Umwana w'Imana Imanure ku musaraba.”

N'abaherezi bakuru,n'abanyabwenge b'Ivyanditswe n'abashingantahe baMucurira bartyo na bo bati: “Yakijijeabandi, We ntAshobora kwikiza. Ni Umwami w'Abisirayeli, ni Yimanure ku musarabaubu nyene duheze tuMwizere.

Yizigiye Imana, nimukizeubu nyene ni Yaba Imubabaye; kuko Yigira ngo ni Umwaa w'Imana.“

N'abambuzi babambanywe naWe nabo barabiMutuka.

Uhereye kw'isaha yagatandatu ubwirakabiri bukorana mu gihugu cose gushika kw'isaha y'icenda

Nko kw'isaha y'icenda YesuAsemerera n'Ijwi rirenga Ati: “Eli, Eli, lama sabakatani?” Bisobanurwa ngo : “ManayaNje, Mana yaNje, ni igiki kiKuMpebesheje?”

Bamwe mu bahazebavyumvise, baravuga bati: “UWo Ahamagaye Eliya.”

Umwe muri bo acaarirukanga yakira sipongo, ayuzuza inkarisha ayirungikisha irenga arayimusomesha.Ariko abandi bati: “Banza ureke turabe ko Eliya aza kuMukiza.”

YesuYongera gusemerera n'Ijwi rirenga, umutima uraca.

Igitambaragikingiriye ahera cane h'urusengero gitabukamwo kubiri, uhereye hejuruugashitsa hasi; isi iratigita; ibitandara birasadagurika;

Imva ziruguruka, imivyimba myinshi y'aberandabari basinziriye irazurwa; bava mu mva Amaze kuzuka, bashika mu gisagara cera,babonekera benshi.

Intwazangaboy'abasoda ijana n'abari kumwe na we barinda Yesu babonye isi itigita n'ibibaye,baratinya cane bati: “Ni ivy'ukuri Yari Umwana w'Imana.”

11 Twunamike imitwe yacu gato kubw'amasengesho. Mwami, turazi yuko wewe uri Imana, kandi tumaze gusomairi Jambo Ryeranda ryahezagiwe, turacashobora kubona yuko ingeso zawezitarahinduka. Wewe uzokwama uri Imana. Kandi vyabonetse ko Yesu atari kuronkaikimutabara na kimwe, kubera yafashwe n'amaboko y'abanyakibi atemagurwa mw'ibice, acirwako amate,ashinyagurirwa kandi aho arabambwa ku musalaba, ariko arava amaraso; kandivyagaragaye ko ata na hamwe hari kuva igitabara, ku buryo we nyene yarize ati: “Mana yanje, Mana yanje, ni igiki kikumpebesheje?” Ariko Wewe ukora mu gihe ata kindi kintu na kimwecoshobora gukora. Twaramenyeshejwe, Mwami yuko iyo hari inzuzi tudashoborakujabuka, iyo dufise imisozi tudashobora kwurira, Imana yo ni Umuhinga wogukora ivyo abandi badashoboye gukora. Wewe uri Umuhinga w'ico gikorwa. Kubera ni WeWe Uzi y'Uryamunsi i Kaluvariyo. Wewe, bwa Mana itagira iherezo, waramenye ko iki gihecategerezwa kubaho. Nuko ico gihe gishitse, uca urerekana rero ko wewe uriImana. Warerekanye Umutware uwo ari we.

12 Waranyigangije isi, n'aberanda baribasinziriye mw'ivu barazuka. Warateje umwijima izuba ijoro-nk'umwijimaw'ijoro-uriko urerekana ko wewe wari Imana, ariko vyaboneka ko wacereje umwanyamuremure. Reka natwe ku bwo ivyo dufate iyi ngingo, yukoigihe cose tuzoba turiko tugendera muri Mpwemu, turongowe n'ukuboko kw'Imana,naho hoba igiki kiriko kigenda nabi, ukwo bimeze kwose tuba turiko tugana i Kaluvariyo,Imana izoovuga mw'isaha ibereye, mu gihe gikwiye. Rero Mana Data, twosaba imbabazi ku vyaha no ku makosayacu yose. Natwe twosaba Mpwemu wawe aturongore. Turongore nkuko Inumayarongoye wa Mwagazi w'Intama. Reka tube abizigirwa ku kizodushikira cose, tûziiki yuko Imana yama ikora ibintu vyose neza. Kandi tûzi ko bizogenda neza. Ubane na twe uno munsi muri kino kikorane. Turasavyeko wokiza abiteguye kukizwa hamwe n'abarondera agakiza. Ubuzuze ubugingobudashira abo baburondera. Turasavye ko wookiza abarwaye hamwe n'abababaye bajebarondera ugukira. Natwe turaza kuguha icubahiro kubera ico. Dusenze mw'Izinary'Umwana Wawe, Umukiza wacu Yesu Kristo. Amen.

13 Rero mu kiganiro c'igitondo c'uno musi, twashaka kubibuttsaigice c'amajambo natoye kivuga ngo: UryaMunsi i Kaluvariyo. Bigaragara yuko biza kuba hanze gato y'igihegikwiye. Iki categerezwa kuba muri rya Yinga Rikuru. Gologota itegerezwakwibukwa imisi yose. Twarumvise vyinshi bijanye nayo. Twosomye vyinshi ku bijanye nayo. Abavugabutumwa barayivuzeko ubutumwa kuva mu ntango. Abaririmvyi barayiririmvye ibihevyose. Abahanuzi bayivugishijweko kuva imyaka ibihumbi bine itarashika,n'abahanuzi ba kino gihe baratwereka hariya kera igihe yakoreka. Ni umusiuhambaye cane. N'umwe mu minsi ihambaye cane Imana yashoboye kuzana kw'isi. Kandi nimba ari ngira kamaro cane ku bwoko-muntu,Kaluvariyo, nibaza ko ari vyiza kuri twebwe ko dusubira inyuma kugira dusuzumetubone insobanuro yayo kuri twebwe. Kubera ndafise icemezo muri kino gihe gikuze turimwo, turondera akamarokose k'Imana dushobora kumenya, turi hano kugira twiyigishe ivyo. Tuboneibitwerekeye, n'ivyo Imana yadukoreye, tubone n'ivyo yasezeranye kudukorera.Kandi ico nico kituzana kw'ishengero.

14 Ico nico gituma umuvugabutumwa avuga ubutumwa. Ico nico gituma asoma akazirikana Ivyanditswe no kurondera ihumekerwa-ni kubera weari umukozi w'ihanga ry'abantu b'Imana, na we agerageza kuronka ikintu….ikintuImana yoshobora kubwira abantu bayo, ikintu gishobora kubafasha. Kumburekirashoboka kikaba ari co kubacira urubanza mu vyaha vyabo, ariko kikaba ariic'akamaro mu kubaduza; baronke guheba ivyaha vyabo hanyuma bahaguruke bakorereUmwami. Abakozi b'Imana bategerezwa kurondera ibi.

15 Nimba uyu musi uhâmbaye cane, umwe mu misi mikurucane, reka turabe ibintu bitatu uwo musi usobanura kuri twebwe. Twari gufataamajana. Ariko mu gitondo c'uno musi nafashe ibintu bitatu bitandukanyebihambaye cane twashaka kwihwezamu mwanya uza kuza, ivyo Gologota yasobanuyekuri twebwe. Nanje nsaba ko vyocira urubanza umunyavyaha wese ahari, yukovytuma umweranda wese apfukamika amavi yiwe, yuko vyotuma uwurwaye wese aduzeukwizera kwiwe ku Mana kandi agende yakize, umunyavyaha akizwe, uwasubiyeinyuma agaruke kandi yiumve isoni, kandi umweranda wese yumve anezerewe kanadi yongerweivyizigiro bishasha, ivyizigiro bishasha.

16 Ikintu kimwe gihambaye, c'ikingirakamaro Kaluvariyoisobanura kuri twebwe no kw'isi, ni uko, yarangije ikibazo c'icaha burundu.Umuntu yari yasanzwe ari uwagirwa n'icaha, kandi icaha cari igihano ata mwanaw'umuntu yoshobora kuriha. Igihano cari igihambaye ku buryo ata mwana w'umuntuyarashoboye kuriiha igihano. Ndizera koko ko ari Imana yabitegetse uko-kugiraigihano kibe igikomeye ku buryo ata muntu ashobora kukiriha- kugira Yo nyeneabe ari Yo ivyikorera. Ubu, igihano c'icaha cari urupfu, twese twaritwavukiyemu caha, tubumbirwa mu bigabitanyo, tuza hano mw'isi tuvuga ububeshi. Kubw'ivyo, nta n'umwe muri twebwe yari abereyecanke ngo baronke mw'isi uwari abereye.

17 Kandi icaha nticahereye mw'isi. Icaha cahereye mw'Ijuru.Lusiferi, wa mugarariji yari icaremwe cavumwe ku bwo kugarariza kwiwe no kuvaimbere yuko yinjira mw'isi. Icaha cahereye mw'Ijuru aho Imana yari yashize abamalayika n'abandi kuri rya shimikiro We yashize umwana w'umuntu. Ubumenyi…… igiti co kumenya. Igiti c'ubugingo n'igiti co kumenya aho umwana w'umuntu yihitiramwo. Reri igihe Lucifer yahabwa uburenganzira bwose bwo kwihitiramwo, yaciye ashaka ibintu vyiza kurusha ivyo Imana Yari Ifise. Aho niho ingorane zaciye zitangurira.

18 Kandi hariho ideni ryishuzwa kubera icaha.Icishuzwa rwari urupfu. Igihano cari urupfu kandi ico ni… Ico twoshoborakukivuga ido n'ido kuko sinizera ko hari urupfu rurenze rumwe. Hari Ubugingobumwe. Nanje ndizera ko umuntu afise Ubugingo Budashira ntashobora gupfa; kandindizera ko hari uguhonywa kw'uwo mushaha ukora icaha kubera Bibiliya yavuzeiti: “Umushaha ukora icaha ni wo uzopfa ata kabuza.” Atari uwo muntu; “uwo mushaha ucumura.” Rero Satani ategerezwaata nkeka gupfa, asangangurwe burundu. Ese ukuntu ntemeranya na bamwe bizera ivy'ikivungabavuga yuko Satani azokizwa! Yaracumuye,kandi ni we nkomoko y'icaha. Umushaha wiwe waracumuye; kandi na we yariimpwemu. Iyo mpwemu izotezimanganywa burundu, nta n'agasigarira kayo kazosigara.

19 Kandi igihe icaha cinjira mw'isi hariya inyuma kerank'igihuzu cirabura camanutse kiva mw'ijuru carakongataje isi. Catereyeicaremwe cose mw'isi n'ivyaremwe vyose vy'Imana mu buja. Umwana w'umuntu yarimu buja bw'urupfu, bw'ingwara, ingorane n'intuntu. Ivyaremwe vyose bigwana nawe.Icaha ni co rutimbisha yakongataje vy'ukuri isi. Ni ho twaca tuyishirwamwo,twihebuye, kubera ikiremwa cose kw'isi caratewe ubwoba muri yo, n'uwavutse wesemw'isi yaratewe ubwoba muri yo. Kubwo ivyo hategerezwa kuza ikintu kanaka kivuyeahantu kanaka hatagira icaha. Nticari kuva mw'isi. Nta n'umwe muri tebwe yarigucungura uwundi. Categerezwa kuva ku Wundi. Kubwo ivyo, umwana w'umuntu amaze gutahura yukoyatandukanijwe n'Imana yiwe yaciye aba inyererezi. Bararize, barakomye induru,baragize ingorane, barayerera ku misozi miremire, no mu bugaragwa, baronderaigisagara categuwe congera cubakwa n'Imana. Yaramenye yuko hamwe yogaruka munyonga z'Imana yoshobora kubiganirako na Yo. Ariko nta nzira yo kugaruka yariihari. Aca aba aratakaye, ntiyamenya inzira yo kugaruka, kubwo ivyo acaatangura kuyerera, agerageza kurondera aho yoronka inzira yo kugaruka ahohantu. Ikintu kanaka muri we caramubwira yuko yavuye ahantu hari hatunganye. Ntamuntu n'umwe mu bariko baranyumviriza baboneka muri kino gitondo, canke mubanyumviriza biciye kuri bande yabura aho izoja hose mw'isi, nta n'umwe hanocanke ahandi hose atariko ararondera ukwo gutungana.

20 Iyo urishe ideni ryawe uca wibwira uti: “Biratoreweumuti.” Uhejeje kuriha ideni, haca haba umuntu arwaye mu muryango wawe. Iyoivy'indwara bigenze neza, haca haboneka ayandi madeni yo kuriha. Mu mwanya mutougasanga wameze imvi, ugaca wipfuza gusubira mu buto. Hama hari ikintu igihecose, umwanya wose kubera uwo mupfunda w'icaha. Ariko mu mutima, kubera urikourabirondera, vyerekana ko hariho ugutungana ahantu kanaka. Ahantu kanaka hariho ikintu.

21 Ico ni co gituma kenshi uno musi umunyavyaha agumaayerera. Umwigeme mwiza akiri mutoazokwimosha umushatsi wiwe kugira akundwe n'abantu; azokwisiga amarangi mu masokugira yigire mwiza, azokwambara impuzu zerekana Imero y'umubiri-kubera ari cokintu conyene ashobora kuronka… kuronka ahantu kanaka…. Agerageza kwigarukanakoikintu kanaka; aho ashobora gutuma umugabo amukobereza canke amuramutse mukumudugiriza ukuboko, afyinate na we. Umusore azobigenza ukwo nyene kubwo umugore. Kugeragezakwigira uwukwegera kuri we. Ababanyi bazokwubaka inzu

bayitunganye mu buryoiboneka neza gusumba iy'umubanyi. Niko bimeze igihe cose. Twama turonderaikintu kanaka kandi ikintu kanaka cama kirondera kuja hejuru.

22 Umugore akiri muto azosanga uwundi mugore amusumvyagukundwa n'abantu. Umubanyi azosanga hari inzu isa neza mgusumvya iyiwe.Umukenyezi azosanga hari uwundi mukenyezi yambaye uburyo kanaka agasa nezakumusumvya. Hari ikintu muri twebwe cama kiriko kirarondera ikintukanaka kandi vyerekana ko twatakaye. Dushaka kuronka ico kintu kizodusubizakukunyurwa, kizokwuzuza ico kinogo c'inzara kiriho, ariko biboneka kotudashobora kukironka. Abana b'abantu barakigerageje ibihe vyose. Barakiririye.Baragikiborogeye. Barakoze ico bashoboye gukora cose, naho biri ukontibakironse igihe bayerera mw'isi.

23 Vyakabaye kera, umunsi uri izina, ari wo w'urya munsi iKaluvariyo, hamanuka Umuntu Umwe Azananye mu Bwiza. Umwe, Yitwa Yesu Kristo,Umwana w'Imana, Yaje Avuye mu Bwiza, maze Kaluvariyo ica ifata ishusho. Uwowabaye umusi igiciro carishwe, ikibazo c'icaha gitorerwa inyishu burundu, kandiyugurura inzira igana kuri ca kintu twamye dufitiye inzara n'inyota. BicaBizana ikibanza co kunyurwa. Nta muntu yagendeye Kaluvariyo kandi akayibonank'uko iri, ashobora kubandanya ameze ukwo yarasanzwe. Ico yipfuje akaronderaarakironka iyo ashitse muri ico kibanza. Wari umusi uhambaye cane kandi ikintu gihambayecane ku buryo canyigangije isi. Caranyingangije isi ku rugero itari bwigereinyiganga mu bindi bihe. Igihe Yesu yapfa i Kaluvariyo akariha ikibazo c'icaha.

24 Iyi si y'icaha yarasizweko umwijima koko. Izuba ryarenzehakiri ku mutaga. Ryaragize ibizunguzungu. Ibitandara vyaranyiganze, imisozimiremire irasaduka kandi imibiri yabapfuye irazuka ivuye mu mva. Vyagize iki? Imana Yariko Iratumbera hariya Kaluvariyoica irakomeretsa burundu ca gikoko citwa Satani. Yaciye agira uburakari bwinshiguhera ico gihe. Kubera vyazaniye umuco umuryango w'abana b'abantu, kandiumuntu wese arazi ko igikoko cakomeretse kica kirakara came…. Kikikwega mu giheumugongo waco wavunitse. Rero i Kaluvariyo, niho Satani yakubitiweubutakigaruka. Isi yarabishimangiye kw'ar'uko vyagenze. Ikiguzi gihambaye cane cigeze kurihwa, kandi Umwe gusayashobora kukiriha Yaraje kandi Yarabikoze i Kaluvarito. Aho niho ikiguzi gihambayecarihiwe. Ico ni kimwe muri vyinshi.

25 Imana ivyo yaravyishuza. Nta muntu yari abereye, ntamuntu yari abishoboye, nta muntu yashoboye kubikora. Imana nayo ica iriyizirayo nyene ihinduka umuntu, ibaho ubuzima bw'umuntu iri musi y'ivyipfuzovy'umuntu,kandi irabambwa i Gologota. Kandi hariya, Satani amaze kwibaza ko Atoshoborakubikora- yuko We atovyihanganira-We yarabicishijwemwo i Getsemane hamwen'ikigeragezo cose umwana w'umuntu yigeze gucishwamwo.yarabicishijwemwonk'abantu bose ariko yararishe ikiguzi. Kandi nico cateye isi umwijima. Nka Rutimbishabakoresha mu kubaga umuntu. Iyo umuganga ateye umuntu rutimbisha...ubwa mbereabanza kumutuma atakaza ubwenge. N'igihe Imana yabaga Ishengero, isi yaratewerutimbisha. Ivyaremwe birakanguka. Nta gitangaje. Imana, mu mubiri w'umuntu,yariko irapfa. Yari ya saha isi yari yararondeye, naho biri uko benshi ntibabimenye. Nkuko bimeze uno musi, benshi bararondera ivyo bintu,kandi ntibashobora kubitahura. Bobo ntibazi inzira yo kubicika. Babandanyabagerageza kurondera umunezero n'ibintu vy'isi, bágerageza kuronderainzira yo gucikiramwo.

26 Harabayeho ivyapa vyinshivyerekeza kuri uyo munsi-ibimenyetso vyinshi bihambaye. Ibimenyetso vyinshivyerekanwa vy'umwagazi w'intama, n'impfizi z'inka, n'inuma hamwe n'ibi bintuvyose; ariko ntivyashoboye kububomora. Ntivyashoboye kubomora ubwo bwamibw'urupfu. Kubera Satani yaraganza isi. Vya bitandara yagenderakoigihe kimwe kw'isi amazuku yaka umuriro- Lusiferi yari wa mwana wo mu mutwenzikandi yaragendeye kw'isi igihe yari ikirunga caka-vya bitandara nyene vyafatwa n'ubukonjeigihe Yesu yapfira i Kaluvariyo, vyaramijutse biva mw'isi. Ikiguzi cari kirishwekandi ububuja bwa Satani bwari bwarajanjaguwe.

27 Imana Igarukana mu minwe y'umwana w'umuntu inzira yo kugaruka kurikimwe yamye arondera. Ntiyategerezwa gusubira kurira. Igihe Yavuna urutirw'umugongo rwa Satani hariya i Googota-uruti rw'umugongo rw'icaha,rw'indwara-kandi vyazanye ikiremwa gipfa cose co mw'isi mu nyonga z'Imana hamwen'ivyaha vyahariwe. Haleluya! Ivyaha vyacu vyarahariwe. Satani ntashoboyekubandanya atugumiza kure y'Imana. Hari ibarabara rikururyubatswe. Hari yo iterefone. Hari umuhora ugana mu bwiza. Biza umuntu wese mugushikira uwo muhora. Iyo umuntu yuzuye icaha, aca yiyunga n'ishikiro ry'uwomuhora. Arashobora guharirwa ico caha. Si ivyo gusa, ariko ico caha kirarihwa.Ntushobora kuvuga uti: “Simbereye.” Vy'ukuri ntubereye. Ntuzigera ubauwubereye. Ariko Uwubereye yarafashe ikibanza cawe! Uridegemvya! Ntukeneragusubira kuyerera kandi. Ntukeneye gusubira kuba umuntu arondera umunezra w'iysi. Kubera:

Hariho iriba ryuzuyeamaraso

Riva mu mitsi yaImanuweli

Iyo umunyavyahaaryibiyemwo

Aca akurwako ukwagirizwa.

Ntutegerezwa gutakara.Hariho ibarabara rikuru, n'inzira, kandi yitwa inzira y'ubugororotsi; n'ikijujunticoyizimiriramwo. Kubera abanza guca lmw'iriba hanyuma akinjira mw'ibarabara rikuru.

28 Yarajanjaguye ubushobozibwose bwa Satani. Yaruguruye umuryango w'ibohero ry'i kuzimu. Ku muntu weseabohewe mw'isi-mw'ibohero-yaratinya igihe co gupfa, ico urupfu rwari rushoboyekumugira. I Kaluvariyo, Wewe yaruguruye iyo miryango y'ibohero kugira agireuwidegemvya imbohe yose. Ntutegerezwa kubandanya utotezwa n'icaha. Ntutegerezwakubandanya utanga ibihimba vyawe mu gukora ivyaha, kunywa inzoga, kunywa itabi,gukina akamari, kubesha. Urashobora kuba umunyakuri, umugororotsi, umuntuw'ingeso nziza; kandi Satani ntaco ashoboye kubihindurako. Kubera uragumijeumugozi, umugozi wo gutabarwa. Ushize inanga mu rutare rutanyiganyiga. Ntagishobora kugukura aho. Na muyagauhari ushobora kugukura i we. Nta kintu, nahorwoba urupfu coshobora kudutandukanya n'urukundo rw'Imana ruri muri KristoYesu.

29 Ico ni co Kaluvariyo yasobanuye. Abantu bări mu buja baragizwe abidegemvya. Abantu bari musiy'ingogo y'ubwoba bw'urupfu ntibagitinya urupfu. Umuntu yarondera igisagaracateguwe congera cubakwa n'Imana, arashoboye guhagarara kw'ibarabara rikuruagahanga amaso mwijuru kubera aridegemvya. Haleluya, yaracunguwe. Ntagikeneye kwongerakuyerera, kubera hariho uburyo bwo kumenya ko uri mu kuri canke utari mu kuri.Imana yaraduhaye ubugingo. Ivyaha vyacu vyaragiye. Urya munsi i Kaluvariyowararishe ikiguzi.

Iyo tubonye ivyo vyose,ntibitangaje kubona wa mu nya vyese yaranditse

Hano ibitandara bisadagurika ijuru rigacura umwiza

Umucunguzi wanje yunamika umutwe wiwe arapfa

Igitambara cuguwe carerekanye inzira

Umunezero wo mw'ijuru n'umusi utagira iherezo.

30 Aburahamu ntiyongeye gusubira kuyerera mu gihugu arondera igisagara.Umunyavyaha ntashoboye kwongera kwibaza ko ashoboye canke adashoboye gukizwa.Uwurwaye ntakeneye kwongera kwibaza nimba yoshobora gukira canke atokira.Igitambara cugutse kur'urya munsi i Kaluvariyo cerekanye inzira y'intsinziishitse! Imana yaduhaye ubushobozi bwa Mpwemu waYo kugira ngo tubeho mu ntsinzikuri ivyo bintu vyose ; bidusaba gusa kuvyizera. Ivyo vyashitse urya munsii Kaluvariyo. Nta musi wigeze ubaho umeze nkuwo. Nta n'uwuzigera ubaho umezenk'uwo. Nta nuko ugikenewe. Ikiguzi cararishwe. Kandi twaracunguwe. Amashimweabe ku Mana! Twaracunguwe. Ntukeneye kwongera guhagarika umutima. Ntakwongeragukekeranya. Vyote vyarakuweho. Ca gitambara carugurutse kandi ubu turimw'ibarabara rikuru. Ntidusubire guhagarika umutima, ariko twizere, kandidutambukire kuri ryo. Turiko tugendera mu kubaho kw'Imana guhambaye.

31 Aburahamu yarabimenye, n'abandi barabimenye, nico gituma barikobararondera igisagara, baramenye ko baturuka ahantu kanaka. Hari ikintu caricarashitse. Bari baba mw'isi yakongatajwe. Nyamugigima biraza, ibihuhusi vyaraje, intambara n'ubwicanyi. Ibingiran'umagazi w'intama biraryana…. Canke ibingira rirarya umwagazi w'intama, intareikarya impfizi y'inka. Ivyo vyaragaragara ko atari ibisanzwe.Hari ikitagendaneza. Baramenye ko hari ikitagenda neza. Abantu-umuvukanyi yarica uwundi, seakica umuhungu, umuhungu akica se. hari ikitagenda neza. Arasaza, arapfa,ararengana, ukudwara kuri kuri we, ari mu buja. Ibiti birakura ariko ntibiziragupfa, birapfa. Imisozi miremire irahinduka. Ibiyaga biruma. Amazi arakama.Hari ikitagenda neza! Kandi nawe ariko ararondera ahantu, igisagara aho ivyobitazosubira kuba. Yaramenye ko asubiye kugaruka mu nyonga z'Umwe yabitegura,bobiganirako na We.

32 Ôo, Mbega ibakwe, umunyavyaha, muri kino gitondokumenya ko ubu waronse inzira. Urya munsi i Kaluvariyo waruguruye inzira. Kuribarya bakurambere bose bamurondera, baharondera. Kaluvariyo yarabibahaye kubuntu! Mbega woshobora gute kubihakana? Mbega wobihakana gute kugira wiyungen'idini? Ni gute woshobora kubihakana ukakaba n'ikindi kintu? N'iminezeroy'isi? Kuki utovyemera? Igitambara cuguruye cagarukanye umuntu mu nyongaz'imana ata caha c'ubwoko na bumwe buri kuri we, gica gishiraho ibarabaraimbere yiwe kubwo ibintu yamye arondera-ijuru, ubuninahazwa, Ubugingo Budashira,vyose biri imbere yiwe.

33 Uwo munsi wabaye igiteroc'u - c'urupfu ku bushobozi bwa Shetani. Vyose warabirangije.

Kandi ndashobora kuhaMubonahariya; ni We Yari wa Mwagazi w'intama wo muri Edeni, kuva muri ca kigereranyoca mbere cawo.

Igihe Abel biciye mukwizera yashikanira Imana ikimazi c'agahore gusumba ica Kayini. Ategerezwa kubayarazungurukije umugozi w'igiti c'umuzabibu kw'izosi ry'umwagazi, arawuryamikakugitandara, afata ibuye mu minwe mu gishingo c'icumu, ahindukiriza ugatwe kawoinyuma, arawukerera, awugegena gushika urapfa. Ubwoya bwawo bwuzuyeko amarasoyawo bwite, uratoteshwa n'amaraso yawo! Cari igitutu.

Ariko urya munsi i Kaluvariyo,ntiwari umwagazi w'iyi si- wari Umwagazi w'Imana wariko urapfa-Ujobeshwan'amaraso yaWo bwite. Yarakerewe, aragegenwa, arakubitwa, aracirirwako amate,ahenagurwa, arakubitwa amakofe, arakorerwa ibintu vyose n'ab'isi, amaraso arikoaricunda ava mu mishatsi yiWe.

34 Igihe umwagazi wa Abeliwapfa, wapfuye uriko uvuga mu rurimi abel atariashoboye kwumva. Wapfuye uboroga. N'igihe Umwagazi w'Imana wapfira i Kaluvariyo, Wavuze mu mvugo ata muntu n'umwe yigeze atahura: "Mana yaNje,Mana yaNje, ni igiki kiKuMpebesheje?" Wari Umwagazi w'Imana uriko uratemagurwa,ukomeretswa.

Ni We Mwagazi Abeliyiyumvira igihe yabona Uruvyaro rw"umugore rwasezeranywe. Yari We MwagaziDaniel yabonye, wihomooye ku musozi munini ata kiganza kiwufashije. Yari Wekigombo hagati mu kigombo ku bavugishwa. Ivyo bari barabuye vyarashitse kuriuwo musi i Kaluvariyo. Ivyo vyahishuye ca kintu c'ubuninahaza, vyaravunyeamafyigo ya Satani.

35 Ubwa mbere twategerezwakurondera ico uwo munsi usobanura. Ubwa kabiri, twategerezwa kubona ico uwo munsiwadukoreye, ico watumariye. Ubu naho ubugira gatatu, reka twihweze ico dutegerezwagukorera uwo munsi. Ico dutegerezwa kuwukorera.

Ubwa mberetwategerezwa kuwuraba kuko ni umusi uhambaye, uhambaye gusuimba iyindi. Ikiguzic'icaha carakuweho. Ubushobozi bwa Satani bwarajanjaguwe.

Ubu naho dushakakubona ico twokora kubitwerekeye. Ubu, kubitwerekeye, Igihe Yesu yapfira i Kaluvariyo, uryamunsi i Kaluvariyo, ntiyarishe ikiguzi c'ivyaha vyacu gusa, ariko yararisheigiciro kandi i yaraciye inzira kugira tumukurikire. Kubera twebwe, nka Adamuyaguye bagacungurwa… nkuko Mpwemu yarongora Adamu-Adamu wa mbere-ku bwa Mpwemuyari afise ubutware ku vyaremwe vyose. Niho natwe-Adamu wa kabiri-canke abantubo mw'isi, twaracunguwe na Kristo kuva ico gihe hariya i gologota, turashoborakumukurikira. Rero, igihe yapfa hariya i Kaluvariyo, yaratunganije inzira.Yaratanze Mpwemu, mpwemu Yera yarungitswe ngo agaruke mw'isi kubwawe na jewedushobore kubaho i We. Iyo niyo nsiguro ya Kaluvariyo kuri twebwe, turashobora kuMukurikira.

36 Ubwa mbere, tuvyitegereze,tubone ico wadukoreye. None rero jewe na we dutegerezwa gukora iki twisunzeivyo?

Ubu, turavuga duti: "Neza, ndashima ivyo. Ni ibibereye cane." Arikodutegerezwa kuvyemera. Kandi kuvyemera ni kwemera Umuperesona WiWe, Kristo, mumitima yacu.

Ni ho tuba abidegemvyaku caha. Kubwo ivyo, nta mapingu y'icaha aba acenena kuri twebwe. Imana… nkukotutaba twarigeze gukora icaha. Ca kimazi gitunganye caratugize abatunganye.Kubera Yesu yavuze ati: "nuko rero ni mube abatunganye nkuko So wanyu womw'ijuru atunganye." Rero nta kindi kigisigaye gukorwa, turi abatunganye munyonga z'Imana.

37 Rero aho ni ho twatakarije uruhagararo rwacu.Hamwe tutogaba, twogerageza gusubira kuraba iyo twahoze, kandi igihe cosetuguma turaba iyo twahoze, ca kimazi ntaco gisobanura kuri twebwe. Yoo! Mbegamwoshobora kubobona ga Shengero? Sinoshobora kugerageza ico gikorwa, sinoshobora,na wewe kandi. Ntibikenewe kugerageza. Uba wamaze gutakara igihe cose ugumawihwezaivyo wakoze. Ariko nturabe ivyo wakoze, nurabe ivyo urya munsi Kaluvariyowagukoreye.

Warakurihiye ikiguzi.Waraheraheje ikibazo. "Ivyaha vyawe bitukuye cane, bizokwera nk'urubura.Bitukuye tukutuku, bizokwera nk'intama yera." Rero nta caha ufise. Nta cahaufise na mba. Naho woba wakoze iki canke ukora iki, uguma uri uwutagira icaha.Igihe cose wemeye Yesu Kristo nk'Umukiza wawe, ivyaha vyawe vyarahariwe.Icahariwe cose kiribagirwa kigakurwaho.

Noe bikora iki? Biraguha,inyuma y'ico gisabwa, Mpwemu wiwewo kumukurikira, no gukora uko yakoze, kubandi bariko barakurikira.

38 Wewe yari Umuntu umwegusa, Umuntu atunganye. Yaratanze ubugingo bwiwe, kandi yagushiriyehoakarorrero.

None ubu dutegerezagukora iki? Ubu, ikintu ca mbere nshaka kuvuga ni: Yesuntiyabayeho kubw'iwe We nyene. Ubugingo bwiwe bwaratanzwe kubw'abandi. Ubwo nibwo bugingo budashira vy'ukuri. Iyo uvuga ko ugiye kw'ishengero ugakora ibintuvyiza, ivyo ni neza. Ariko iyo ubayeho ubuzima bw'iwawe kubwawe, nta bugingobudashira uba ufise. Ubugingo budashira ni kubaho kubwo abandi.

Bica bigaragara igihevyashika kuri wa Mwagazi w'Imana. Yarabayeho kandi aronka ubugingo budashirakuko ntiyabayeho kubwiwe. Yabereyeho abandi. Kandi uronka ubugingo budashira mukuronka urya musi, kandi ntushobora kubandanya kubaho kubwawe, ubaho kubwo abandi.

39 Hariho uwavuze ati: "Vyoshobokagute ko uhagarara ukareka uwariwe wese akakwita amazina mabi nkayo?" Ntubayehokubwawe. Ubayeho kubwo abandi kugira ngo ushobore gucungura uwo

muntu.Mwahindutse abana b'bahungu; ingorane ihari ninuko ishengero ryibagiye ko boari abana b'abahungu. Muri abana b'abahungu. Muriko mufata ikibanza ca Kristo.Muri abana b'abahungu; kubwo ivyo ntimubeho kubwanyu, nimubeho kubwo abandi.

"Neza, mwene DataBranham, ndashobora kubaho kubwo uyo mwenedata kubera ku vy'ukuri ni umuntumwiza." Si uko bimeze. Nubeho kubwo uwo muntu akwanka. Nebeho kubwo uwo muntuyoshobora kukwica babishoboye. Ico ni co We bamukoreye. Baramwishe hanyumaarapfa kugira ngo ashobore kubakiza. Ubwo nu ubugingo budashira. Iyo uonse icomuri wewe, uba uriko urerekeza mw'Ijuru uwo mwanya. Ariko tanga nk'ishikanwaibintu vyawe bwite. Bitange nkuko intama itanga ubwoya bwayo. Uriko uraba i Kaluvariyo.

40 Ndizigiye ko kino kirikokirakugeza ahantu… Ico ni co rino Hema, ivyo ni vyo abantu bose bategerezwagukora-ni kumenya ico uri, ni intubero yavyo iyo ari yo.

Ishengero ntirija mw'ishengero kugira ngo bacurarange umuziki, kuririmbaindirimb.Ishengero ni ahantu ho gusosorera. Urubanza rutangurira mu nzu y'Imana. Ningombwa ko twiyumva twebwe nyene ko twapfuye ariko ko turi bazima muri Kristo.Hanyuma, yaraciye inzira kugira ngo dushobore kwitangira igikorwa ciwe kugiratumukurikire. Nitwamukurikira, tuzobaho ubuzima yabayeho. Ico kiratangaje cane.Yesu yarabivuze arabisubiraa…. Reka nunganire bikeya kuri kino kintu.Nimwumvirize mugavye. Ntibibacike.

41 Yesu Yavuze kuri urya munsiYategerezwa gutanukanya abantu nk'intama n'impene; kandi yari kubwira impene Ati: "Nimujemuruhande rw' i bubamfu" hanyuma ku ntama ati: "Nimuje ku ruhande rw' iburyo" kandi Yabwiye impene Ati: "Mvireho, kuko Nari Nshonje ntiwaNgaburira.Nari mw'ibohero ntimwaza kuNdaba. Nagenda gusa ntimwaNyambika. Nari Nyotewe ntimwaMpaivyo nywa. Nari Ndwaye hanyuma ntimwaNgarukirako. Rero nimumvireho. No ku ntamaAravuga Ati: "Nari Nshonje muraNgaburira. Nagenda gusa muraMpa ivyo nambara.Nari Ndwaye kandi mwaraNyitayeho." Kandi nimwihweze, kino kintu ntikibacike,shengero! Mugumize kino kintu mu mutima ibihe vyose. Vyakorwa bidashizwekoumutima. Abantu ntibabikora bwa tegeko. Umuntu aguhaye ikintu canke ikindikubera ategerezwa kubikora, umuntu akugaburiye kubera ategerezwa kubikora afiseiciyumviro co kwikunda. Vyategerezwa kuba ubuzima bwawe koko, ibikorwa vyawekoko.

42 Vyari ibitangaje kuri izontama ku buryo bavuze bati: "Mwami, ni ryari Wari Ushonje hanyuma ntitwaKugaburira…..Ni ryari Wari Ushonje hanyuma turaKugaburira? Ni ryari Wagenda gusa hanyumaturaGuha ivyambarwa? Ni ryari Wari Unyotewe hanyuma turaGuha ivyo Unywa? Niryari Wari Urwaye hanyuma turaKwitaho? Vyari ibintu vyikora vyonyene - vyikoramu rukundo. Ubuzima bwabo bwabibamwo ukwo nyene.

Mana, nureke abantubabone ico Kaluvariyo yadukoreye. Bibe ivyikora vyo nyene ubwavyo, "Ni ryari Wari…,Mwami. Ntitwigeze tubimenya.

Raba ivyo Yesu yahindukiyeakavuga. "Ivyo vyose mwakoreye aba, ni Jewe mwabikoreye." Ubuzimabutikwegerako. Ata kindi ciyumviro, ata kuvyiyumvirako, ari ukaba uwapfuye kubintu vy'iyi si, ukaba uri muzima muri Kristo, uriko uratambukira mw'ibarabararikuru, bintu bintu bikaba ivyizana vyo nyene. Ukabikora gusa.

43 Atari kuvuga ngo: "Uburero Umwami Yari yipfuza ko nokora ibi". Nta bwo ari uko. Wewe uri nezaigihimba ciWe. Mpwemu wiWe Ari muri wewe, ucaukora nk'uko Yakora. Mwabicakiye?"Hari inzira iboneka nk'iyigororotse ku muntu ariko iherezo ryayo ikaba inziray'amahonero." "Si abo bose bamvumereza ngo Mwami, Mwami bazinjira; ariko ni abakoraubugombe bwa Data." Neza bivuye mu mitima yabo, ata gahato.

Rero, urya musi iGologota wararishe ikiguzi kugira dushobore kuba muri iyo nzira. Atari ukuvugango: "Murazi, Muka Jones umunsi umwe amakara yari yamuheranye hanyuma ncandagenda ndamugurira amakara." Canke "ndababwire, nabonye mwene Data akeneye ikoti,hanyuma nca ndagenda ndayimugurira. Imana Ihimbazwe ndi Umukristo." Mana yanje.Urikunda, umutindi, umuntu ateye ikigongwe. Uri indyarya. Ntureke ukuboko kw'iburyo ngo kumenye ico ukubamfu gukoze, ukw' ibubamfu ntikumenye ico ukuryogukoze. Ube uwapfuye muri Kristo ku nkuko ataho wigeze ubikora. Ni kamereyawe,niyo mibereho yawe. Bikore ukwo bimeze kwose. Ivyo biriserura mu buryo busanzwemuri wewe. Muri abiyeguriye burundu uyo Mpwemu, kandi aba muri wewe.

44 Ôo! Woba wumva uwo Mpwemu Ahezagiwe? Ubwo buzima:"Si jewe nkiriho" ni ko yavuze Paulo "ariko ni Kristo Aba muri jewe." Birikora ukwonyene.

"Neza, ndakubwire, mweneData Branham. Turi Abakristo hano. Turafasha barya bantu. Turafasha abantu." Ôo! Mana yanje. Murateye isoni. Ubwo si ubukristo. Ubukristobirizana vyonyene… nivyo vyikora.Utegerezwa kuvyibagira, vyose…Genda ubikore.

Kristo yareguriyeubugingo bwiwe bwose Imana. Yaritanze We nyene ubwiwe nk'Umukozi

rusangiw'abantu. Yatanze ubugingo bwiWe kumwidegemvyo. Ntiryari itegeko yuko abikora.Ntiyabikoze ku gahato. Ntiyavuze ngo: "Ubu rero bavukanyi, muzotegerezwakunyiyumvirako cane kubera ivyo nabakoreye." Nta jambo yigeze abivugako. Ukwobimeze kwose yarapfuye. Kubera Imana yari muri We. Ni Imana muri wewe. Ni Imana muri jewe. Ivyobituma twihweza abandi.

45 Intama ku ruhande rumwe.

Umwe muri bo azovuga ati: "Neza, Mwami, narakoze ibi, kandi, Mwami,narakoze na birya."

Yarababwiye ati: "Mvireho, mwa nkorabizira mwe. Sinigeze Mbamenya."

Iyaba ishengero ryoje kuri ibi bikorwa vy'ishimikiro, si ikintu muriwewe kiregeza gukora, ukora wewe nyene witeguye gukora, ni ikintu cavukiye muriwewe.

46 Mumbabarire, bagenzibanje b'abapentekote. Ndi umupentekoti, ariko bagenzanje b'abapentekoti bagezeaho bategerezwa kuvuza umuziki mwinshi unyaruka cane, n'umurwi w'abacuraranzi,gukoma amashi canke ingoma kugira batume haba gusemerera. Ico nta kindi atariibishika gusa. Abacuraranzi bacuraranga imbere yo kuja ku rugamba kugira ngobinjize abantu mu Mpwemu yo kurwana. Ndizera umuziki. Ndizera gukoma amashi,ndizera ivyo bintu. Biri ku rutonde neza. Twategerezwa kuba dufise ivyo. Arikomwarafashe minenerwe ibintu vya nyamukuru…. Ubwo buzima bwo kwitanga Imana bahomuri twebwe, akora iciza mu buryo bwizanye, kubera ari vyiza, no kubandanya kubahoata no kuvyiyumvirako. Mukaba muri ivyo bisanzwe. Rero mwihweze…Mbega murabonaigica kiba? Ntimu…Muri kuri rya barabara rikuru. Ng'ico ico Kaluvariyoyasobanuye kuri twebwe. Muri kuri rya barabara rikuru, rimwe ryatwugururirwakuri uyo munsi.

47 Ubu rero ibuka,ntushobora kuba igice impene n'igice intama. Ntibizovangana. Ubu, hariho abantubenshi bavuga ngo: "Neza, Mbega murazi? Twararonse ukwitunganya mu murwi wacu.Turafasha aboro. Turakora ibi." Ivyo ni vyiza cane, ariko muriko muraririmbaivyubahiro vyanyu bwite. Ivyo ntimubikore. Yesu yavuze ati: "Iciza cawenugikore mw'ibanga." Neza na neza ikintu cizanye kivuye muri wewe.

Ntibitandukanye nokugenda ugatora aazi ukanywa. Uba ufise inyota. Nimbi uwuri hafi yawe anyotewe,mwiyumvire nawe. Ivyankenerwa v'umuntu ari hafi yawe, mwiyumvire nkuko warikwiyumvira ivya nkenerwa vyawe, kandi ntuvyiteho, bandanya kubaho gusa.

48 Ubu ntushobora kuba igiceintama no kuba igice impene. Kubwo ivyo uvuze uti: "Ishengero ryacu rirafiseukwitunganya. Turatangira aboro. Turakora ibi tugakora n'ibindi." Nimba ufiseivyo udafise birya bindi- ubuzima bwa Kristo muri wewe- ivyo ukora ni ubusagusa.

Paulo yavuze mu b'I 1 Korinto13 ati: "Naho notanga ubutunzi bwanje bwose ngo ngaburire aboro, ngatangaumubiri wanje ngo uturirwe nk'ikimazi, jewe ntaco maze." Ubu iki kiragumyeariko ni ukuri. Tahura ico Kaluvariyo yagukoreye.

49 Turaraba tukavuga duti:" Ôo! Ego. Ivyo ni vyiza. Siko bimeze. Nimba vyasavye uwo Mwana w'Imana kuja i Kaluvariyoakabambwa, umwana wese aje ategerezwa kuja i Kaluvariyo. Utegerezwa kugira Kaluvariyonwe. Utegerezwa kugira uyo munsi i Kaluvariyo. Ntegerezwa kugira uyo munsi iKaluvariyo. Ico caheraheje ikibazo c'icaha. Si ukuramukanya n'umuvugabutumwa,si uguhabwa ukuboko ngo winjizwe mw'ishengero, si kwinjizwa n'ikete, sikwinjira mu kwatura, ariko ni kwinjira mu kuvuka.

Wewe ntiyatanze ikete. Wewe ntiyatanze kwatura, We yatanze kuvuka.Ukwo nikwo twinjira. Niho duserukira, tukabaho ubugingo bwa Kristo rimwe narimwe.

50 Ubu naho, ikindi cihwezwa. Igice c'impene n'igice c'intama, nta kintunkico zifise. Wewe nturi igice c'ntama n'igice c'impene, wewe uriimpene canke intama. Rero nimba ukora ibintu vyiza, kandi ukibaza ko ushoborakwinjira kubera ivyo, aho rero ntivyari bikenewe ko habaho umusi w'i Kaluvariyo.Ivyagezwe vyari bifise ivyo. Ariko icatumye umusi w'i Kaluvariyo ukenerwa nikubwo kwinjiza ico imbere-kugira ntitube gusa abanywanyi b'ishengero, arikotube abana b'abahungu n'abakobwa b'Imana. Ico nico uwo munsi i Kaluvariyo wariuri. Ni co usobanura kuri wewe, ico utegerezwa kugira, gukurikira no gukora nkaYesu.

Ubu rero, uruzintirushobora gutemba rumanuka rwongera ruduga mu mwanya umwe. Uruzi rutembaruja ahantu hamwe, kandi Mpwemu wa Kristo na We aja ahantu hamwe. Ntibishobokako ibintu bivangwa na we. Bija hahandi nyene.

51 Ihweze Yesu mu kurangiza.Yesu Yavuze Ati: "Ibikorwa Nkora na mwebwe muzobikora; muzokora n'ibibiruta;kubera Ngiye kwa Data." Si ndiko ndavuga ibi cane cane kubwa rino shengerohano, muratahura, ariko ubu butumwa buraburwa. Ibihombi mirongo birabwumvirizamw'isi. Ngira nishure ikibazo kano kanya kubw'umucokoranyi umwe. Kenshi nakenshi nama mbwirwa, bahora bavuga bati: "Neza, urizera Bibiliya." Yesu Yavuzeati: "Ibikorwa Nkora na mwebwe muzobikora; muzokora n'ibibiruta; kuko Ngiye kwa Data."

52 Ushobora kuba mubibingana gute, ga mushingantahe? Ushobora kuyerera kure yo gutahura bingana gutekubera ubumenyi bwawe bw'inyigisho ndoramana, no kubera ivyiyumviro vy'ubwengebwawe ku kintu cose? Mugenzaje mwiza watakaye, ntushobora gutahura yuko iyiBibiliya isobanurwa muri Mpwemu? Yesu yarashimiye Data kuko ivyo yabihishijeabanyabwenge, abantu bakerebutse, bafise ubumenyi n'ubwenge, akabihishuriraabana bato boje i Gologota.

53 Ubu rero ihweze, yesuyavuze….ihweze ingene yabitanguye. "Nk'ivyo Nkora jewe…" Arabikora ivyo ubunyene. "Ibikorwa Ndiko Ndakora ubu [gukiza abarwaye, kuzura abapfuye, guhumura impumyi],ivyo namwe muzobikora. Muzobikora, nimwaNyizera. Muzokora ivyo bikorwa, muzokoran'ibibiruta, kuko Ngiye kwa Data. Hasigaye ighe gito kandi isi ntizokwongera kuMbona,ariko mweho muzoMbona. Nzobana namwe, nongere Mbe no muri mwebwe kugera kumuhero w'isi. SiNzobasiga nk'impfuvyi. Nzosaba Data, Azobarungikira Uwundi Mwitsaakaba Ari Mpwemu Yera UWo ab'isi badashobora kwakira ariko mwebwe murashobora kuMwakira."

54 Ubu rero mwihweze,ibikorwa birushirije kwari ukugira ububasha mw'ishengero atari kubwo gukizaabarwaye gusa kubwo gusenga, ariko gutanga Ubugingo Budashira ku bizera. MpwemuYera yariko araza ace atanga mu minwe y'ishengero gutanga Ubugingo. Ico ni co Kaluvariyoisobanura.

Yafashe abagabo n'abagorebanswe bongera baratiturwa irabaterurira mu kibanza kugira babe abahungun'abakobwa b'Imana kubwo gusengera abarwaye, kandi batange ubugingo budashirano guha Mpwemu yera kubizera bumvira kandi batange ubungingo bwa mpwemubudashira.

55 Mega ukuntu ari ikintugihambaye… kubwira uyu mukenyezi arwaye hano uti: "Ndashobora gusenga isengeshoryo kwizera," hanyuma akazokira, ico ni ikintu kinini. Ico ni co yariko arakora,ariko yaravuze ati: "Ibiruta ibi muzobikora. Ngiye kubaha ububasha, atari ubwokumuhagurutsa gusa kubwo umwanya muto, ariko kumuha Ubugingo Budashira - ubuzobaubuhoraho Ibihe Vyose."

Bantu boro, b'impumyi,batindi, mbega mwonanirwa kubona ibi? Ntimushobora kubona ibihambaye ivyo arivyo? Ni co kintu gihambaye gishobora gushika, kwari uguha ubugingo budashiraabantu!

56 Ubugingo Budashira niiki? Ubuzima Yabayeho. Ubuzima bwari muri We; kubuha abandi. Umuntu arashoborakubarokora? Umwana w'Imana arabishoboye. Yesu Yavuze Ati: "Abo muzohariraivyaha bazoba babihariwe, abo muzobigumizako bizobagumako." Ubu, aha nihoIshengero rya Katolika n'abandi bose bakoreye ikosa rinini. Barasohotse hanzebavuga bati: "Ndaguhariye ivyaha." Ntivyari ivyo.

Mbega baronse guharirwa ivyaha gute muri Bibiliya? Petero yarishuyeico kibazo ku munsi wa Pentekote. Bavuze bati: "Mbega twokora iki kugiradukizwe ? mbega iki mwaronse natwe twokironka gute?" Aca arasasa hasiurwandiko rw'imiti. Aca arababwira ico bokora. Yavuze ati: "Nimwihane umwewese ku Mana mwongere mubatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo." Kubwo iki?"Guharirwa ivyaha," ni vyo bikorwa bihambaye.

57 Ni bangahe muri mwebwe,bavugabutumwa muri kino gitondo, ni bangahe muri mwebwe mwumvise ijambo ryanjeku mabande yabura, bipfuza kuja i Gologota kino gitondo? Kuraba ico Imanayabakoreye hariya, no kwibagira za nemera z'ikidini no kuvuga inkuru nziza? Haleluya!Biri kuri mwebwe ubu. Muzoyigenza gute? Kubera iki?" Ukwihana no guharirwaivyaha bitegerezwa kuvugwa muri iryo Zina mw"isi yose guhera i Yerusalemu.Haleluya!

Kaluvariyo isobanura ikikuri wewe? Uwo musi wagukoreye iki? Mbega yakwujujemwo inyigisho ndora Mana?Yakugize umunyamanyama canke yakugize umukristo? Haleluya! Ivyaha vyarahariwe.Ibikorwa binini gusumba ivyo muzobikora. Mbega murabona aho muri? Si vyo?"Ibikorwa biruta ibi" Guharira ivyaha mw'Izina rya Yesu Kristo. Ariko biciyemuri nemera, amadini yitunganije, n'ibindi n'ibindi, vyababoheye ahantu muguma mukoreraisi.

58 Mbwira Umugabo n'umwe,mbwira umugore n'umwe, ashobora kuza i Kaluvariyo kandi akageragеza kuba umuntuakomeye kubera umuntu kanaka yavuze ikintu kanaka. Mbwira ahantu woshoborakwihweza aharabana n'i Kaluvariyo, mu muco wayo nyakuri, urya musi i Kaluvariyo…

Mbega woshobora gutekuronka umusi wawe hariya i Kaluvariyo kanyuma ukaguma uri umunyabwishime?Mbega wovayo gute ukaguma uri igikoresho c'ishirahamwe kanaka ukigisha inyigishozakozwe n'abantu? Kubera iki itagucishije bugufi kw'Ijambo ry'Imana? Ushitsehariya uvayo waciye bugufi. Woshobora kurondera kuba uwuhambaye gute mw'idiryawe ryitunganije ufise ubwibone, hano Kristo Umwana w'Imana yaricishijebugufi gushika aho ashishagurwa umubiri no "gucirwako amate mu maso" n'isoni nogusuzugurwa, igihe bamukura impuzu ziwe, no kumubamba imbere y'isi, aratituraibiteterwa? Urashobora kuja i Kaluvariyo ukavayo uri ikintu kinyuranye nuko Weyari ameze? Isoni, Ibimaramare…

"Ôo," uravuga uti: "Bazonyirukana." Reka bakwirukane.Ironkere umunsi wawe i Kaluvariyo. Imana izokwironkera inzira hamwe nawe. Rekanongere ndabivuge. Ronka umusi wawe i Kaluvariyo. Imana izoronka inzira kumwenawe. Reka dusenge.

59 Mwami, Ôo Mana, nuduterure twese utujane i Kaluvariyo kanokanya. Reka tuve mu kwikunda, Mwami-ubwoba bw'umuntu, ubwoba bw'ico uwundimuntu aza uvuga. Kubera iki? Isi yose yaramutwenze, yaramutetereje, arikoyagumye yumvira gushika ku rupfu. Yagumye yubaha gushika kubimaramare. Yagumyeyubaha ubutegetsi bukuru, kandi turabona ko kuva Shetani yinjiye muri iyi si,yaciye ahinduka umutware na segaba muri iyi si. Yemeje ivyo nyene imberey'Umwami aravuga ati: "Ubu bwami ni rwanje. Nzobukoza ico nshatse." Kandituratahura yuko kuva urya musi iyi si, iri musi y'umuvumo, yagumye iganzwan'umwe yayiteza uwo muvumo. Ariko, Mana, Ôo Mana, dukorera Ubwami butavumwe.

Mana Data, ese ibintubihambaye wakozemu bijanye n'ivy'amareresi muri kino gihe, ukareka izi reresinka Amabwirizwa cumi, n'izindi,zigasohoka: kugira bitume abagabo n'abagore bazibone, batoshobora no guhirahirango binjire mu muryango w'ishengero, yamara reka babone ivyo ari vyo. Inziray'Imana ni inzira yashibuwe n'isi, kubera tumeze nk'abagiye mu Burusiya muriGikomunista. Turi muri ino si,ariko nti turi abo muri iyi si. Twaragiye i Kaluvariyo. Twaribamvye kubwo Ubwami bw'Imana, tube uwomuri Bwo. Naho isi yovuga ki, dufata inzira ya bamwe bake b'Umwami bagawa.Tugiye mw'izuka.

Kandi turizera yuko vuba cane, Mwami, aho tuzozukira mu Bwami buzokurahoino si, nkuko Daniyeli yabibonye imbere y'igihe. Cajanjaguye isi mutuvunjivunji nk'umuguruka hasi mu gihe co kugosopra mu gihe c'umuyagaurabigurura. Ariko uwo musozi, iryo buye, rirakura riba umusozi munini wuzuyeisi. Iryo buye rizoza. Ôo, Mana. Dushaka kubaigihimba caryo. Reka twiyanke ubwacu, twikorere imisaraba yacu, tubeho kubwaKristo, tubeho kubwo abandi. Utwumvire, Mwami.

60 Nimba hariho umuntu hano muri kino gitondo atamuzi nk'Umukuiza, akabayashaka kwibukwa mw'isengesho ryo kurangiza, kandi wipfuza ko uno musi ubaumusi wawe w'i Kaluvariyo, wokiriza ukuboko kwawe kandi ukavuga uti:"unsengere, mwene Data Branham. Nshaka kumumenya nk'Umukiza wanje." Imanaiguhezagire muyabaga. Hariho uwundi? Imana iguhezagire Mwene Data hariyainyuma. Hobaho uwundi harya avuga ati: "Nshaka kuMumenya. Nshaka uno musi ubekuri jewe umusi w'i Kaluvariyo. Ndarwaye kandi ndarushe. Mbega hari inyungu kikuri jewe kuguma nkinisha ikintu c'ukuri catumye mvuka ngo nkore? Igihe navuka,navutse kugira mbe umwana w'Imana, nanje ndi hano nguma ngumije ivy'isi. Mana,reka uno musi mbambwe hamwe n'ivyiyumviro vyanje, nshobore kubana na Kristonshobore no kuberaho abandi. Naho bongira iki, naho bontwenga, bakacumukuza,bakavuga ibibi vyose kuri jewe n'ibindi n'bindi, reka ngende mu kwicishabugufi, nicisha bugufi nk'umwagazi w'intama, nkuko We yabikoze. Kandi umusiumwe Yarasezeranye gusubira kunzura ku musi w'iherezo. Ndarindiriye uwo munsi."

Hoshobora kuba hariya ayandi maboko yokirizwa? Imana iguhezagirehariya inyuma na wewe. Neza cane, uwundi kandi. Imana iguhezagire. Imanaiguhezagire. Uwundi kandi neza imbere yuko dusenga.

61 Data wa twese wo mw'Ijuru, vyaravuzwe umunsi Petero avuga Ubutumwa kumunsi wa Pentekote: "Nkuko benshi bari bizeye, barongewe kw'ishengero".Barizeye vy'ukuri n'imitima yabo yose. Aba bantu bakirije amaboko yabo, ndizeyeko bizeyen'umutima wabo wose. Nimba ari uko, hariho iriba ryamazi ririndiriyehano. Nimba bashaka guharirwa ivyaha vyabo, hariho hano uwushoboye kubabatiza muriiryo zina, kandi Izina rimwe ryonyene ryatanzwe musi y'ijuru mu bantu, iryodushobora gukirizwamwo. Nkuko natanze icanditswe mu mwanya waheze, "ukwihana nogukurwako ivyaha bitegerezwa kuvugwa mw'Izina ryiWe mw'isi yose, uhereye iYerusalemu. Kandi i Yerusalemu, igihe ukwihana no guharirwa ivyaha vyigishwa,intumwa yarababwiye afatiye ku Vyanditwe kandi aravuga ko bategerezwa kwihanaubwa mbere, hanyuma babatizwe mw'Izina rya Yesu Kristo. Niwo wari umurimow'abavugabutumwa. Bobo bakihana nawe akababatiza kugira ngo baharirwe ivyaha. Abomuzoharira ivyaha bazobiharirwa, abo muzobigumizako bizobagumako."

62 Data, mbega isi yashitse gute mu magume nkayo irimwo? Kubera ikibatizera injili yiyoroheje? Na bo bakayikaba bakoresheje amazina atari yo,imibatizo itari yo, imibatizo ya Mpwemu yera itari yo, guhana ibiganzan'abakozi b'Imana, bakoresha ivyubahiro vya Data, Mwana, na Mpwemu Yera ibintu bitarina rimwe mu Vyanditswe-urwandiko rwakozwe n'abantu b'i Roma; Atari inyigisho yagikristo iri na hamwe muri Bibiliya. Uguharirwa ivyaha ntibishobora kuvugwa muvyubahiro, ariko ni mw'Izina rya Yesu Kristo.

Ubu, Data, turazi kobikundwa na bake cane. Inzira zawe zamye zimeze uko. Ariko reka abagabon'abagore baze kuri uwo musi, uwo munsi i Kaluvariyo, aho Yesu Yasuzuguye uyomunsi, ibimaramare vyo gukurwa impuzu,agashishagurwa, acirwako amate yongeraatwengwa n'isi yose, n'ishengero, n'abantu bategerezwa kumukunda… kandi muri ivyo vyose ntiyigeze yugururaumunwa wiw, aragenda arapfira abo bantu bariko baramutetereza.

63 Mana, nutujane i Kaluvariyokino gitondo. Kandi nibavuga ko turi abasazi, nibavuga ko dutwara ivyanditswenabi, ivyo bazovuga vyose, Mana, ntibashobora guhagarara mu nyonga z'Imana ngobavuge ko atari vyo.

Ntibashobora gupfukaivyaha vyabo bakoresheje Bibiliya. Bibiliya ntipfuka ivyaha vyabo, ukutizerakwabo - kugira babe ba rurangiranwa, kugira bakore nk'abandi bose b'isi. Rekabaze i Kaluvariyo kino gitondo kandi batangurire i Yerusalemu, "Yuko ukwihanano guharirwa ivyaha bitegerezwa kuvugwa mw'Izina ryiwe mu bihugu vyose,bihereye i Yerusalemu. Reka bafate za ntambwe zose zo kubambwa,

bashishagurweno gucirwako amate, bacokorwe no kwitwa abahindura idini zabo-abasamburaamashengero, ivyo bashaka kubita vyose.

Ese, Mwami, muri kinogitondo twofata ya nzira ya bamwe bake b'Umwami basuzugurwa. Ese twotambukankuko intumwa zabikoze, tutaja i buryo canke i bubamfu, no mu kworohakw'imitima yacu dukorere Imana. Nubitange Data.

Ubu, nukize abarwayen'abacumukuye baje mu murongo wo gusengerwa. Ese aba bakirije amaboko bokwihananeza mu mitima yabo. Nufashe barya bahagaze inyuma umwanya muremure binjire mumazi n'ingoga baronke guharirwa ivyaha vyabo mw'Izina rya ca kimazi, YesuKristo Umwana w'Imana. Amen.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7